**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°05 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 10 RUSAMA 2023

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 10 Rusama 2023, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 03 Rusama 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Intunganyo ngenderwako yo gukwiragiza ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vya Reta, kuva mu mwaka w'2023 gushika mu mwaka w'2027,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo gutumatumanako amakuru, ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru n'ibimenyeshamakuru.

Mu ntumbero yo gukomeza igisata c'ubuhinga ngurukanabumenyi, Reta y'Uburundi yarateguye yongera irashira mu ngiro umugambi w'igihugu wo guteza imbere ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru kuva mu mwaka w'2011. Ihangiro ry'uwo mugambi kwari uko ubwo buhinga bwoshikira bose, kugirango ubutunzi butere imbere, kandi Uburundi bube akarorero n'icitegererezo mu karere mu mwaka w'2025.

Ikwiragiza ry'ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vyose vya Reta ni ngombwa kugirango ubutunzi butere imbere, intwaro ibereye ikomere muri ico gisata, ihuzamihora mu bisata vya Reta rikomere, kugirango igihugu gishikire amahangiro y'iterambere rirama.

Iyi ntunganyo ngenderwako irerekana intumbero nyamukuru z'umugambi w'igihugu wo gukwiragiza ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vya Reta mu kiringo c'imyaka itanu.

Irerekana utwigoro twokorwa mu gutunganaya ibisata bijejwe ubuhinga ngurukanabumenyi, n'inyubako zigezweho busaba, be no gutuza ubugizi bwa nabi bukorwa biciye mu buhinga ngurukanabumenyi.

Ihangiro rya Reta ni ukworohereza abenegihugu muvyo bakenera vyose mu bisata vya Reta, kugirango babironke bitabaruhishije, biciye mw'ikoreshwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo ntunganyo, **yarayemeje**, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Mu bituma ico gisata gicumbagira, gushiramwo ukubura ibitabo bitanga intumbero y'ivyokurikizwa ;
- Mu bijanye n'ingene igisata c'ubuhinga ngurukanabumenyi cifashe ngaha mu Burundi, kwerekana ibitigiri vy'ibisata bihuza imihora;
- Kuraba neza ko ikigo SETIC gifise ubushobozi bwo kwakira ibikenewe vyose muri ico gikorwa co gukwiragiza ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vya Reta;
- Kuronsa ibikoresho bikenewe Ikigo SETIC kugirango gishobore kurangura neza umurimo gishinzwe;
- Gukora urutonde rw'ibikoresho vyose vyatanzwe n'ishirahamwe HUAWEI, kwerekana ingene vyifashe no kwerekana ico vyokoreshwa ;
- Gushira uwo mugambi ku kiringo c'imyaka cumi;
- Gushiraho umurwi w'igihugu ujejwe gukurikirana ikwiragizwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi wotwarirwa mu Biro vy'Umushikiranganji wa Mbere ukaba ariwo woca utegura intunganayo y'ingene uwo mugambi woshirwa mu ngiro.

2. **Integuro y'itegeko ritunganya gushasha Radiyo na Televiziyo vy'igihugu**, yashikirijwe n'umushikiranganji wo gutumatumanako amakuru ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru n'ibimenyeshamakuru.

Radiyo na Televiziyo vy'igihugu biracagengwa n'itegeko rimaze imyaka mirongo itatu n'itatu kuko ryagiyeho mu 1989, mu gihe amategeko agenga intwaro ibereye n'ibigega mu mashirahamwe yegamiye Reta yahindutse.

Ikindi naco, ni uko mu gisata co guhanahana amakuru hakoreshejwe ubuhinga bwo guhanahana amakuru hagiyemwo ayandi mashirahamwe akorana na Radiyo-Televiziyo y'igihugu, iruhande y'ishirahamwe Onatel.

Birakenewe rero ko amategeko agenga Radiyo-Televiziyo y'igihugu asubirwamwo kugirango yisunge ibitegekanywa mu bijanye n'intwaro ibereye n'ubutunzi mu mashirahamwe yegamiye Reta, be n'ibihe tugezemwo.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro yashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, muvyo yashikirije hakaba harimwo ibi bikurkira :

- Guhindura umutwe w'iri tegeko rikavugako ari ingingo zimwe zimwe zihindutse ;
- Mu mabwirizwa n'amategeko yisungwa n'iyi nteguro, gukuramwo ibwirizwa rishinga amahera Reta ikoresha mu mwaka w'2022 ushira uw'2023 kuko ryo rimara umwaka umwe gusa ;
- Mu bijanye n'ingene Radiyo-Televiziyo y'igihugu itunganijwe, gushiramwo amashami yayo akorera mu gihugu hagati;
- Kwerekana imirimo ubuyobozi bwose bujejwe;
- Kwerekana ibisata abagize urwego nshingwantwaro baturukamwo ;
- Gukuramwo ibijanye n'ibiringo ku muyobozi mukuru n'abayobozi;
- Gutomora ingene abakozi bahabwa akazi ;
- Gutomora ko Radiyo-Televiziyo y'igihugu ikoresha uburyo ironkejwe na Reta ;
- Mu bijanye n'ahava uburyo, kwongerako uburyo burihwa n'abasavye Radiyo-Televiziyo y'igihugu ija kwerekana ivyo bariko bararangura canke ibamenyekanishae;
- Gutomora ko uburyo bwose butozwa n'igisata OBR  bukinjira mu kigega c'igihugu;
- Gukura muri iyi nteguro ibijanye n'ikiringo gihabwa umushikiranganji ngo abe yagize ico avuga kuvyo yarungikiwe.

3. **Umugambi w'igihugu wo guteza imbere urudandazwa ndengambibe,** washikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ubudandanji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Urudandazwa ndengambibe ni kimwe muri vyinshi biteza imbere ubutunzi.
Rurafasha abenegihugu, cane cane bafise ubushobozi bubayabaye, kumenyana n'abandi no kuronka ivyankenerwa mu miryango yabo.

Urwo rudandanzwa ruratuma abegereye imbibe z'ibihugu bamenyana bagafatana mu nda bakongera bagashigikirana, ivyo navyo bigatuma amahoro, umutekano no gufashanya hagati y'ibihugu bikomera.

Nico gituma Uburundi bwateguye uyu mugambi ufise intumbero yo gukomeza urwo rudandazwa.

Uwu mugambi uzoshika kw'ihangiro ryo gukuraho buke buke inzitizi zibangamira urwo rudandazwa hagati y'Uburundi n'ibihugu bibanyi, ni ukuvuga inyubako zidakwiye, ibigora abantu ku mbibe. Muri rusangi hazoba itunganywa ry'imbibe ryorohereza abenegihugu.Ivyo

bizotuma urudandazwa ruto ruto rwo ku mbibe rwo mu kinywabi ruhinduka rukaba urudandazwa rutunganijwe n'amategeko.

Uyu mugambi wisunze imbonakazoza y'Uburundi yo mu 2025, be n'umugambi w'igihugu w'iterambere.

Icivugo cawo ni « urudandazwa ndengambibe rutera imbere, rukomeye, inkingi yo gushorera ibidandazwa hanze y'igihugu no gukomeza imibano mu guteza imbere ubutunzi» **.**

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi, **yarawemeje,** ica isaba ko hotegurwa n'umugambi wo guteza imbere urudandazwa rwo hagati mu gihugu.

4. **Urwandiko rujanye n'umugambi wo gushiraho akarere kadasanzwe k'ubudandaji ka Warubondo,** rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ubudandanji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Kw'igenekerezo rya 8 Nyakanga 2021, inama nshikiranganji yarize Urwandiko rujanye n'ingingo zihuta zofatwa mu gukinga kugirango akarere kadasanzwe k'ubudandaji ka Warubondo gakore neza**,** muvyashikirijwe ico gihe hakaba harimwo guhagarika amasezerano ari hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe ProCerv kuko ritubahirije ibiri mu masezerano .

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro ivyo vyasabwe, iryo shirahamwe ryararungikiwe urwandiko rujanye n'ihagarikwa ry'ayo masezerano kw'igenekerezo rya 18 Ndamukiza 2022, ariko kugirango bije mu nzira itumbereye, bisaba ko intizo y'ako karere ka Warubondo be n'uburenganzira bwo gukorera kuri ako karere bwahawe ishirahamwe ProCerv bifutwa.

Ni muri iyo ntumbero inama nshikiranganji yashikirijwe integuro y'itegeko rifuta uburenganzira bwahawe ishirahamwe PROCERV bwo gutunganya no gukorera mu karere kadasanzwe k'ubudandaji ka Warubondo kw'igenekerezo 29 Ruheshi 2022, icashikirijwe naco kikaba ari uko hobanza gusuzumwa neza amasezerano yashizweko umukono, mukuraba ko ivy'uruhande rumwe rwose rwiyemeje rwabishitseko, haboneke ikitaranguwe n'uwo cega, gurtyo ingingo ibereye ishobore gufatwa.

Uru rwandiko rwashikirijwe rero rwerekana ivyo uruhande rumwe rumwe rwiyemeje, be n'ivyo rwadohotseko.

Kubera hari ivyo uruhande rumwe rumwe rwose rutashize mu ngiro, uru rwandiko rushikiriza ibi bikurikira :

- Kubangira gufuta ayo amasezerano kubera impande zose uko ari zibiri zitashize mu ngiro ivyo zasabwa, kugirango ingaruka zivuye kw'ifuta ry'ayo masezerano zikingwe ;
- Gukosora utunenge turi mu ntunganyo y'uwo mugambi, mugushiraho igisata kizoba kijejwe gukurikirana ako karere no gufuta uburenganzira n'intizo vyari vyahawe ProCerv kuri ako karere ;
- Kugira urutonde rw'uturusho tujanye no kworohereza ishirahamwe ProCerv kwinjiza ibintu kw'izina ry'uwo mugambi mu Burundi ;
- Gusaba ishirahamwe Procerv gusubiramwo amasezerano ajanye n'ako karere k'ubudandaji ka Warubondo ;
- Kunyarutsa isubirwamwo ry'amategeko agenga uburere budasanzwe bw'ubundandaji no gushiraho inzego zikenewe ;
- Kwigira ku bindi bihugu biri mw'ishirahamwe ZLECAF aho mwen'ubwo burere budasanzwe bw'ubudandaji bumaze gushirwaho kandi bukora neza.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ivyo urwo rwandiko rushikiriza, **yaravyemeje,** ica isaba ko mu kiringo c'ukwezi hokwerekanwa intambwe yoba igezweko mw'ishirwa mu ngiro ry'ivyo vyashikirijwe**.**

5. **Urwandiko rujanye n'ingene Reta yokorana n'amashirahamwe amwe amwe y'abikorera ivyabo**, rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, no gutunganya imigambi y'iterambere.

Mw'irangurwa ry'ibikorwa ijejwe, Reta iragiranira amasezerano n'amashirahamwe y'abikorera ivyabo, mu kuyironsa ivyo iba ikeneye.

Ariko biraboneka ko mu masoko atangwa, ibiciro babigira umurengera canke hakabamwo ugucererwa. Birashika mbere n'ayo masoko ntaje mu ngiro ariko abayatsindiye bagasaba kurihwa babifashijwemwo n'abakozi ba Reta bamwe bamwe, ayandi nayo akarihwa kabiri.

Ivyo biba kuberako abo bakozi ba Reta bamwe bamwe baba bafise imitahe muri ayo mashirahamwe, canke akaba abakoresha nk'abahinga canke bafitaniye imigenderanire idasanzwe n'abarongoye ayo mashirahamwe. Ivyo navyo bikaba bibangamira inyungu za Reta.

Harafashwe ibihano mu ntumbero yo kurwanya ivyo bintu, abakozi bamwe bamwe ba Reta bakaba barabogojwe mu mabanga.

Ariko ikibabaje ni uko ayo mashirahamwe aca aha akazi abo bakozi ba Reta bakoze amakosa bakabogozwa mu mabanga, hanyuma akagumana imigenderanire ibangamira inyungu za Reta.

Reta y'Uburundi ibona ko uko guhabwa akazi ari uburyo bwo gushimira abo bahora bakorera Reta bayononeye ku nyungu z'ayo mashirahamwe.

Mu ntubero yo gukingira inyungu za Reta, uru rwandiko rusaba ko ishirahamwe riha akazi umuntu yakuwe mu mabanga ya Reta kubera amakosa yakoze ashobora kubangamira ubutunzi bw'igihugu ritosubira gukorana na Reta.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza ico uru rwandiko rushikiriza, **yaragishigikiye,** ica isaba ibi bikurikira:

- Gusaba amashirahamwe yahaye akazi abakozi ba Reta bakuwe mu mabanga yabo kubera amakosa bakoze, gufuta amasezerano y'akazi bagiraniye, nimba ayo mashirahamwe yipfuza kubandanya agiranira imiganderanire myiza na Reta ;
- Gusaba amashirahamwe atsindira amasoko ya Reta canke aronswa uturusho na Reta kwerekana ico akoresha inyungu akuramwo, kuko bimaze kuboneka ko bamwe bamwe muri bo baca baja kuyakoresha imigambi hanze y'igihugu hanyuma Uburundi bukaba aribwo buhahombera.

6. **Integuro y'itegeko nshikiranganji risubiramwo itegeko nshikiranganji n$^0$ 630/540/750/l l ryo ku wa 02 Myandagaro 2013 rishinga ingene imiti ivura abantu n'ibindi bikoresho vyo kwa muganga vyemerwa ngaha mu Burundi**
7. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga amahera arihishwa n'igisata kijejwe gukurikirana imiti ivura abantu be n'ibifungurwa (ABREMA) ku miti n'ibindi bikoreshwa kwa muganga.**

Izo nteguro uko ari zibiri zashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida.

Reta y'Uburundi yarerekanye ishaka ifise ryo gukomeza igisata c'imiti mu guhindura amategeko akigenga, kugirango ije ku murongo w'amategeko mpuzamakungu n'ayakarere isanzwe yaremeje.

Ni muri iyo ntumbero ibwirizwa n°1/11 ryo ku wa 08 Rusama 2020 ritunganya urudandazwa rw'imiti ivura abantu ryashizweho, Ubuyobozi bujejwe amadandarizo y'imiti n'amasuzumiro nabwo buravaho busubirirwa n'igisata kijejwe gukurikirana imiti ivura abantu be n'ibifungurwa (ABREMA mu mpfunyapfunyo y'ururimi rw'Igifaransa), cashizweho n'itegeko n° 100/039 ryo ku wa 26 Ruhuhuma 2021.

Kubera rero impinduka zabaye muri ico gisata, itegeko nshikiranganji n° 630/540/750/11 ryo ku wa 02 Myandagaro 2013 rishinga ibisabwa kugirango imiti ivura abantu be n'ibindi bikoresho vyo kwa muganga yemererwe mu Burundi ryarataye igihe.

Birakenewe ko risubirwamwo kugirango ryisunge amategeko mashasha ahari, n'ivyisungwa mu bijanye no kwemerera imiti mu karere be no ku rwego mpuzamakungu.

Ni muri iyo ntumbero izi nteguro zibiri zashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino izo nteguro, **yarazemeje**, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Gutunganya neza ibijanye no kudandaza imiti kuko biraboneka ko hari agahaze;
- Ukugenzura imiti ni igikorwa ca minsi yose c'ubushikiranganji, ntigikwiye kurihishwa ;
- Amahera arihishwa mu guturira imiti yononekaye yoharurwa bivanye n'igikorwa cakozwe aho guharurwa ku munsi ku munsi;
- Amahera arihishwa mu guturira imiti canke ibindi bikoresho yotozwa n'Ikigo OBR akinjira mu kigega ca Reta ;
- Ubushikiranganji bukukirwa n'ibisata ABREVPA, ABREMA na BBN bukwiye kuja hamwe bukiga ingene ivyo bisata uko ari bitatu vyokora mu runani vyuzuzanya ;

8. **Integuro y'itegeko nshikirananji isubiramwo itegeko nshikiranganji n°630/158/1/2010 ryo ku wa 27 Nzero 2010 rishiraho umugambi wo kurwanya ingwara zimwe zimwe zititabwaho bikwiye be n'uruhumyi « PNIMTNC »,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida.

Ihangiro nyamukuru mugushiraho uwo mugambi kwari ukugabanya umutwaro uvuye kuri izo ndwara ku benegihugu.

Muri iki gihe, kubera amasekeza yabaye yo kurwanya no kuvura izo ngwara, ibintu vyarateye imbere kuko zaragabanutse cane.

Naho izo ngwara zarwanijwe bimwe biboneka, hari ibikeneye guhinyanyurwa, kugirango:

- Hisungwe amategeko mashasha yagiyeho;
- Hisungwe ingene ivy'intwaro n'ibigega bitunganijwe mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu no kurwanya Sida.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje,** ibanje kwerekana ivyotosorwa.

9. **Urwandiko rujanye n'ishingwa ry'igiciro c'ikawa idatonoye muri uyu mwaka w'2023 ushira uw'2024,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Urwo rwandiko rwari rwizwe n'inama nshikiranganji kw'igenekerezo rya 15 Ntwarante 2023. Rwashinga ko ikiro c'ikawa nziza ya mbere yogurwa amahera igihumbi n'amajana abiri (1200).

Inama nshikiranganji yari yaciye isaba ko ibiharuro vyosubirwamwo neza, kuva kw'irimwa ry'ikawa gushika kw'ishorwa ryayo kugirango umurimyi agurirwe ku giciro gishimishije.

Umurwi wagenywe ngo ukore ico gikorwa waciye uja ku kivi urasubiramwo ibiharuro ufatiye ku bijanye n'igiciro c'ikawa kw'isoko mpuzakungu, ubwiza bw'ikawa, umwimbu witezwe, ibikoreshwa kuva kw'irimwa ry'ikawa gushika kw'iyimburwa ryayo. Waciye utora ko igiciro c'ikawa nziza idatonoye coba igihumbi n'amajana abiri na mirongo umunani (1280) ku kiro**.**

Inama nshikiranganji yaciye **yemeza** ico giciro cashikirijwe n'uwo murwi, ica iwusaba no gushinga igiciro c'ikawa ibayabaye (café cerise B) ikoresheje ivyo biharuro nyene.

Inama nshikiranganji yaciye isaba kandi ko igikorwa nk'ico co guharura igiciro ku murimyi cokorwa no ku biterwa njabukamazi vyose.

**10. Utuntu n'utundi**

Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yasavye abashikiranganji guhimiriza abenegihugu kwijukira kuvomera imirima muri iri ci rigiye gutangura, n'uko urugo rwose rwogira akarima ko muci, mu ntumbero yo kurwanya inzara muri ico gihe c'izuba.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 11 Rusama 2023

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE